EAST AFRICAN COMMUNITY

EAC SIMPLIFIED GUIDE

Incamake y'intumbero y'umuryango wa afrika y'ubuseruko ifasha/izofasha kumenya amashirahamwe mato mato, ayabayabaye hamwe na manini manini akora urudandazwa njabukambibe rw'ibidandazwa bitabikika igihe kirekire

Ilyi ncamake y'iki gitabo yanditswe na Dorothy M. Tuma yandika ivyo yakuye mu biganiro hamwe n'izindi nyandiko.

IJAMBO RY'INTANGAMARARA

Umuryango wa Afrika y'ubuseruko wisunga indinganizo zikomeye zerekeye gutoza amakori ku rugero rumwe n'ibihugu bigize umuryango hamwe n'amategeko agenga isoko rusangi rya Afrika y'ubuseruko.

Ihangiro ry'umuryango wa Afrika y'ubuseruko ni ugushiraho akarere kamwe aho abadandaza bakagize hamwe nabanyamitahe bashobora kwidegemvya nkomanzi kandi kagashobora guhiganwa n'ibindi bihugu kw'isoko mpuzamahanga. Kubw'ivyo, ubuhinga bwo guteza imbere UMURYANGO WA AFRIKA Y'UBUSERUKO ni ugushira imbere kworohereza urudandazwa n'abanyamitahe, gukura intambamyi zijanye n'urudandazwa, kworohereza ihiganwa kw'isoko no gukuraho inzitizi zijanye n'uruja n'uruza rw'abantu n'ibintu, guteza imbere ibijanye nurudandazwa hagati mu muryango n'uruhara rw'amashirahamwe y'ubudandaji Manini Manini hamwe na matomato.

Ukutamenya canke ukutaronka amakuru nyayo canke kutamenya aharondererwa ibikenerwa nimwe mu ntambamyi zibangamiye ibikorwa vy'amashirahamwe manini Manini na mato mato y'ubudandaji yo mu muryangango wa Afrika y'Ubuseruko.

Nimuriyo ntumbero umuryango wa Afrika y'Ubuseruko ubifashijwemwo nishirahamwe GFA\GIZ washizeho izi ntumbero zirimwo amakuru akwiye yerekana indinganizo, intambwe, ibisabwa, amategeko, amatagisi, ibidandazwa bitariha hamwe n'inyubakwa bisanzwe bitegekanijwe mu ntumbero yo kworohereza ubadandaza hagati mu muryango wa Afrika y'Ubuseruko.

Umuryango wa Afrika y'ubuseruko uboneyeho gushimira bimwe bivuye ku mutima Reta y'igihugu c'Ubudagi, ibicishije mu mugambi wayo wa GIZ, GIZ-EAC isanzwe ifata mu mugongo umugambi w'iyinjira mu muryango wa Afrika y'ubuseruko biciye kw'isoko rusangi rya Afrika y'ubuseruko no ku bantu bagize Umuryango w'Afrika y'Ubuseruko washizwe mu ngiro n'umugambi w'akarere RIVA mu gutanga ibikenewe vyose kugira ngo izi ntumbero z'amategeko agenga amashirahamwe y'ubudandaji agize Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko aboneke.

Dushimiye abahinga mu burimyi, amahinguriro n'ubudandaji bo mu bihugu bigize umuryango wa Afrika y'Ubuseruko ku ntererano batanze mu nteguro ya kino gikorwa.

Nyakubahwa Dr. Peter Mathuki
Umunyamabanga Mukuru
Umuryango wa Afrika y'ubuseruko

Ibirimwo

	Intangamarara	i
	Intangamarara	ii
1	Umuryango Wa Africa Y'ubuseruko	1
2	Korosha Urudandazwa – Urudandazwa Runyaruka Kandi Rworoshe	1
3	Ibisabwa	12
4	Intambwe Zijanye N'urudandazwa Muri Afrika Y'ubuseruko	25
5	Amakuru Makuru Makuru Ku Bijanye N'amatagisi	33
6	Impapuro Z'inzira Zisabwa	35
7	Ingingo Ngenderwako Zo Kurwanya Covid-19 Zisabwa N'ishirahamwe Mpuzamakungu Rijejwe Amagara Y'abantu Om	36
8	Aho Ubariza	37

Insiguro Y'incamake Yamajambo Akoreshwa Muri Kano Gatabo

AEO	Umudandaza yemewe namategeko ashirwimbere yabandi
COMESA	Isoko rusangi rigizwe n'ibihugu vyo muri Afrika y'ubuseruko hamwe n'ubumanuko
COO	Urupapuro rwerekana inkomoko yibidandazwa
UMURYANGO WA AFRICA Y'UBUSERUKO	Umuryango w'ibihugu bigize ishirahamwe rya Afrika y'ubuseruko
MSME	Amashirahamwe mato mato, abayabaye hamwe na manini manini akora urudandazwa
OSBP	Ihuriro rimwe ry'imbibe zibihugu bibiri bigize umuryango wa Afrika y'ubuseruko
SCOO	Incamake y'urupapuro rwerekana inkomoko y'ibidandazwa.
STR	Amategeko yo mu muryango wa Afrika y'ubuseruko yerekana ingene urudandazwa rukorwa mu buryo bworoshe.
WCO	Ishirahamwe mpuzamakungu riejwe ivyama duwani

INTANGAMARARA

Kuva ibikorwa bitanguye muri Mukakaro 2000, umuryango wa Afrika y'ubuseruko wabandanije igikorwa co guteza imbere ibikorwa bijanye nugutsimbataza iyinjira nyezina mu muryango. Ni muriyo ntumbero hashizweho amategeko menshi yo kworohereza uruja n'uruza rw'abantu n'ibintu hagati muri uwo muryango.

Nuhayo mategeko yashizweho, imwe mu nzitizi zibangamiye amashirahamwe manini manini, ayabayabaye na mato mato akora urudandazwa, nukutoroherwa kuronka amakuru ajanye nurudandazwa canke nabaronka ugasanga ntibayatahura neza. Abadandaza birabagora kuronka amakuru yerekeye ibidandazwa vyemerewe gushorwa mu bihugu bigize umuryango, ibisabwa ku mudandaza harimwo nimpapuro, amatagisi hamwe n'ibiciro ku gihugu kimwe kimwe mubigize umuryango, amategeko agenga kwinjiza no gusohora ibidandazwa mugihugu kimwe kimwe, igenzurwa ry'ingene urudandazwa rukorwa, amategeko y'igihugu umudandaza akomokamwo n'ibijanye no kurihisha amatagisi bisanzwe biri mu bihambaye bituma urudandazwa rugenda neza mu karere. Vyongeye abadandaza harigihe batamenya uwo bitura mugihe baba bafise ico babaza.

Bitegekanijwe kw'itangwa ry'agatabo kavuga mu ncamake intambwe zijanye n'amategeko hamwe n'icungerwa ry'intambwe z'urudandazwa z'umuryango wa Afrika y'ubuseruko ku bijanye n'ivyimburwa bimara igihe gito, rizoba ngirakamaro mu gufasha amashirahamwe manini manini, ayabayabaye na mato mato akora urudandazwa. Ako gatabo kisunga cane ibiva mu burimyi bibora n'ingoga (ivyamwa bibisi, imboga, ibishorera mu kuzimu), ibitungwa, inkoko n'ibibikomokako (inyama, ibiva mu nyama, amagi n'amata).

1

UMURYANGO WA AFRIKA Y'UBUSERUKO

Ubuserukizi bwa Afrika y'ubuseruko n'indinganizo y'ama Reta y'ibihugu vyo mu karere igizwe n'Uburundi, Kenya, Rwanda, Sudani y'epfo, Ubuganda na Tanzaniya bukaba bufise icicaro gikuru i Arusha mugihugu ca Tanzaniya, Indinganizo ishinga umuryango wa Afrika y'ubuseruko yasizweko umukono kw'igenekerezo rya 30 Munyonyo 1999 hanyuma ishirwa mungiro ku wa 7 Mukakaro 2000.

Kuva ico gihe igihugu cose kiri muri uwo muryango categekanije ibi bikurikira:

1. Amategeko agenga imbibe zimwe yo mu mwaka w'2005 mu ntumbero yo kworosha uruja n'uruza rw'ibidandazwa.
2. Amategeko agenga isoko rusangi rya Afrika y'ubuseruko yo mwaka w' 2010 mu ntumbero yo kworohereza uruja n'uruza rw'abakozi, akazi n'abanyamitahe mu karere k'UMURYANGO WA AFRIKA Y'UBUSEUKO.
3. Ingingo zigenga ikoreshwa ry'ifaranga rimwe yo mumwaka w' 2013 rizokoreshwa mu muryango wa AFRIKA Y'UBUSEUKO.
4. Ibihugu bigize umuryango wa Afrika y'ubuseruko kandi bifise intumbero yo kugira Reta imwe izobigize ibihugu vyo mu muryango wa Afrika y'Ubuseuko muri kazoza

2

KOROSHA URUDANDAZWA – URUDANDAZWA RUNYARUKA KANDI RWOROHEJWE

Ibihugu bigize umuryango wa Afrika y'ubuseruko vyarashizeho uburyo bwinshi bushasha mu ntumbero yo kworosha urudandazwa hagati mu muryango wa Africa y'Ubuseruko.

Kugira ngo izo ngingo zose zafashwe zibe ngirakamaro, abadandaza bo gihugu cose bakwiye gukorera hamwe canke bakaja mu mashirahamwe.

1. Ikibanza kimwe cihuriro ry'imbibe zibihugu bibiri (One Stop Border Post)

Ikibanza kimwe cihuriro ry'imbibe zibihugu bibiri n'umwe mu migambi yashizwe mungiro numuryango wa Afrika y'ubuseruko muntumbero yo korosha urudandazwa. Uwo mugambi nawo ukabugizwe n'ingingo zitandukanye (amategeko, inyubakwa, hamwe ningene akazi ka misi yose karangurwa) ibihugu bigize Umuryango wa Afrika y'Ubuseuko vyumvikanyeko kandi biwushira mu ngiro mu ntumbero yo gutuma abantu, ibintu ndentse n'imiduga kugira ngo mukujabuka urubibe hagati y'ibihugu bibiri baze guhagarara mu kibanza kimwe gusa.

Inzego za Reta zose zikora ibijanye no gucungera imbibe (abajejwe amatagisi, abaraba ivyinjira n'ibisohoka, abajejwe amagara y'abantu, uburimyi...) baturuka mu bihugu bisangiye urubibe bakorera munyubakwa imwe.

Guhagarara rimwe gusa ku rubibe ibihugu bihuriyeko bigabanya umwanya umuntu amara mu kujabuka umupaka kandi bikorosha n'igenzurwa mu bijanye n'impapuro z'inzira. Aho guhagarara kabiri kumbibe zibiri zo ku mpande zibiri z'ibihugu bihana imbibe, abadandaza basabwa guhagarara kw'igenzurwa ry'urubibe rumwe gusa ruba ruri mugihugu baba bariko barajamwo.

Akarorero: Dufate nkumuntu ava mu gihugu cubuganda aja mu gihugu ca Kenya aciye ku rubibe rwa Busia. Ntazosabwa guhagarara ku rubibe rwa Busia-Uganda ruherereye ku ruhande rw'igihugu ca Uganda. Azobandanya kurundi ruhande rw'igihugu ca Kenya ahazosanga abaserukira ivyo bihugu vyose bakorera mu nyubakwa imwe. Uruhande rwose rugenzura ibijanye nurubibe ruri ku ruhande rwarwo. Abo ku ruhande rwa Busia-Kenya bacungera ibijanye no kwinjira mugihugu ca Kenya, abo ku ruhande rwa Busia-Uganda nabo bagacungera ibijanye no kwinjira mu gihugu ca Uganda. Ivyo gusohoka no kwinjira bikorerwa mu nyubakwa imwe, gutyo kujabuka urubibe bikoroha kandi bikihuta.

Munsi murahasanga uburorero bw'ibiro bitandukanye vy'icungerwa ry'imbibe.

Uko Mbere Ibiro Vy'Imipaka Ibiri Vyakoraga

Ubwa mbere bahagarara ku mbibe zibiri zose, ingenzi n'amamodoka bigahagarara kurubibe rumwe rumwe rw'igihugu kugira hakorwe isuzumwa



Ihuriweko n'ibihugu vyose (igihugu cose gifise ibiro bigenzura urubibe mu kindi gihugu)

- kuri aka karorero, igihugu A n'igihugu B bisangiye inyubakwa imwe ikorerwamwo ibijanye nisuzumwa ryibisabwa mu gihugu ibidandazwa vyinjijwemwo.
- ingenzi n'imiduga ntibihagarara ku ruhande rw'igihugu bavuyemwo. Bahagarara gusa rimwe ku ruhande rw'igihugu binjiyemo, aho niho hakorerwa igenzurwa riraba ugusohoka no kwinjira vyose hamwe.
- Mu gihugu binjiyemwo igenzurwa ryo gusohoka niryo rikorwa imbere y'iryo kwinjira.
- Akarorero, Taveta/ Kenya, Holili Tanzania na Tanzaniya, malaba/Kenya



Igihugu A	Ibiro Vy'igenzuriro Bibiri Ku Mupaka Umwe (Juxtaposed OSBP)	Igihugu B
Kenya	Taveta / Holili	Tanzania
Kenya	Malaba	Uganda
Kenya	Busia	Uganda

Inyubakwa yubatse mu rubibe rugabura ibihugu vyose bisangiye urubibe

- Muri ako karorero, igihugu A n'igihugu B bisangiye inyubakwa imwe ikorerwamwo n'impande zose.
- Ingenzi n'imiduga bihagarara rimwe gusa ku mupaka. Igenzurwa rijanye no gusohoka rikorwa imbere y'irijanye no kwinjira.
- Akarorero: Umupaka Nemba Burundi/Gasenyi Rwanda



Igihugu A	Ibiro Vy'igenzura Vyubatse Mu Rubibe Rugabura Ibihugu Bibiri (Straddled OSBP)	Igihugu B
Burundi	Nemba/ Gasenyi	Rwanda

Ibiro vy'urubibe biri mu gihugu kimwe gusa (Ibiro vy'abajejwe urubibe vyubatswe mu gihugu kimwe)

- Ngaha igihugu A n'igihugu B bisangira ibiro bihuriweko vyubatse ku ruhande rw'igihugu kimwe.
- Abajejwee ibikorwa vyo ku rubibe bo ku mpande zose bakorera ahantu hamwe gusa.
- Ingenzi n'amamodoka bihagarara rimwe gusa ku rubibe, ibjanye no gusohoka bikorwa imbere y'ibijanye no kwinjira.



Igihugu A	Ibiro Vyigenzura Vyubatse Ku Ruhande Rumwe Gusa Rw'ibihugu Bisangiye Umupaka (Wholly located OSBP)	Igihugu B
Burundi	Ruhwa in Burundi	Rwanda

2. Urubuga ngurukana bumenyi rw'igihugu rwerekana amakuru ajanye namakori.

Urwo rubuga rwuguruwe kumashirahamwe yubudandaji yizewe mu gihugu, rukaba rwerekana rubicishije mu buhinga bwa none ibikewe vyose kugirango umudandaza yinjize canke asohore ibidandazwa mu gihugu. Hakoreshejwe ubuhinga ngurukana bumenyi, abantu bose bafise uruhara mw'igenzura ry'ibisohoka canke ivyinjira bategerezwa kugira uburenganzira bwo gushika mu bubiko bwayo makuru. Ivyo bigabanya umwanya wo kuva mu biro bimwe uja mu bindi uriko urarondera impapuro zitandukanye.

Mu gihe amakuru yose yamaze gushirwa ku rubuga ngurukana bumenyi, urwo rubuga ruraheza rugatanga amakuru yose ku nzego zose zisanzwe zijejwe korohereza abadandaza. Ayo makuru amaze kubashikira, abakora munzego zijejwe korohereza abadandaza baraheza bakemeza kw'izo mpapuro zemewe kandi ko zikwije ibisabwa, vyose bakabikora babicishije ku buhinga bwa none. Abagize inzego zose zijejwe korohereza abadandaza (abakozi ba Retaeta, amashirahamwe akora urudandazwa, abajejwe amatagisi, amagara y'abantu, ama banki, abadandaza...) bashobora kugira uburenganzira kuri ayo makuru n'impapuro zemejwe biciye ku buhinga bwa none mu ntumbero yo kuraba ko vyubahirije amategeko ku bijanye nivyo bajejwe kugenzura.

ELECTRONIC SINGLE WINDOW



3. Amashirahamwe yabadandaza bizewe (OEAs)

Ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe ama duwani (Organisation Mondiale des Douanes) nishirahamwe rikorera mu bihugu vyose rikaba rijejwe kugenzura ko abajejwe kuraba ivy'ama duwani bakora akazi kabo neza. Mu yandi majambo, iryo shirahamwe riijejwe gukarihiriza ubwenge abasanzwe bajejwe ibijanye n'ama duwani mu ntumbero yo gushira mungiro ivyo baba bariyemeje mubihugu vyabo bijanye nama duwani.

Igisata kiraba ubuziranenge c'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe ivyama duwani mu gucungera no kworohereza abadandaza, kizwi kandi nk'igisata c'ubuziranenge cizewe, gisigura kw'ishirahamwe ryizewe rijejwe ubudandaji nkumurwi wemewe nigisata kijejwe ivyama duwani muhihugu hakurikijwe amategeko mpuzamakungu araba ibijanye nubudandji. Uwo murwi ukabujejwe kurangura igikorwa kijanye n'ubudandaji mpuzamakungu mubice vyose vyurudandazwa. Amashirahamwe rero yizewe ajejwe ubudandaji arangwa nibi bikurikira:

1. abazwi namategeko agenga ico gikorwa asanzwakora mu gihugu
2. abatanga amakori neza
3. akora igikorwa co gusohora canke kwinjiza ibidandazwa mu gihugu hisunzwe amategeko y'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe amakori
4. asaba gukora hisunzwe amategeko yinzego ziraba ivyama duwani mu gihugu.

Amashirahamwe yizewe ajejwe ubudandaji agizwe n'amahinguriro, abadandaza, abarangurira hanze, abashorera hanze, abishinzi canke ama assurance, abatwara ibidandazwa mungendeshwa, abaranga ibidandazwa, ibivuko, ibibuga vy'indege, ububiko bwidandazwa hamwe nabajewe gukwiragiza ibidandazwa.

Ikindi nuko mu ntumbero yo korohereza abadanda, amashirahamwe yizewe ajejwe ubudandaji yoroherezwa mugihe baba bariko barinjiza ibidandazwa vyabo mukudatonda imirongo, ibidandazwa vyabo bisuzumwa imbere yabandi badandaza, bakoroherezwa mubijanye no gutanga ingwati hamwe no kuriha amakori muburyo bwihuta.

4. Urubuga ngurukanabumenyi rw'amakuru ajanye n'ubudandaji

Urubuga ngurukanabumentyi rw'amakuru ajanye nubudandaji rutanga ibifasha kumenya intambwe ku yindi ivyerekeye impusha zirekurira umudandaza gukora, impusha ku bisabwa mu bijanye no kuriha amakori, kumenya ibisata vyo kwitura mu gihe bikenewe, hamwe no kugira uburenganzira bwo gushobora gushikira inzego zose zo mu gihugu zijejwe kumenyekanisha ibintu bitariha amakori. Urubuga ngurukanabumenyi rw'umuryango wa Afrika y'ubuseruko rujejwe amakuru ajanye n'ubudandaji (https://tradehelpdesk rusanzwe rukorana n'imbuga ngurukanabumenyi zamakuru yubudandaji zo mu bihugu vyose bigize umuryango wa Afrika yubuseruko.



Abadandaza bakora ubudandaji bwagutse muri iki gihe hashizweho amategeko yorosha ubudanji bakora akazi kabo borohewe cane kuko ayo mategeko ari ngira kamaro cane mu kazi kabo ka misi yose.

5. Amategeko yorohereza abadandaza

Amategeko yorohereza abadandaza yashizweho kugira ngo yorohereze kandi yihutishe guhanahana ibidandazwa vya hato na hato vyimburwa canke bikorerwa mu MURYANGO WAAFRIKA Y'UBUSERUKO kugira bihanahanwe mu muryango ata nkomanzi.

Amategeko yorohereza abadandaza agenga ibidandazwa bitarenza amadorari 2000

3

IBISABWA

Abadandaza binjiza canke bashorera hanze ibidandazwa biva mu burimyi bibora ningoga bikomoka bikongera bigadandarizwa mu muryango wa Afrika y'ubuseruko biri mu mirwi ibiri:
Umurwi 1: Ibidandazwa vy'umutahe ungana canke uri munsi yama dolare yabanyamerika 2000
Umurwi 2: Ibadandazwa vyumutahe uri hejuru yama yabanyamerika 2000.

Abadandaza bakoresha umutahe ungana canke uri munsi yama dolare yabanyamerika 2000 bakora bisunze amategeko yorosha ubudandaji yo muri Afrika y'ubuseruko. Abadandaza bafise umutahe uri hejuru yamadorare 2000 nabo bakurikiza ingingo zisanzwe zitegekanya ibijanye n'ubudandaji njabukambibe.

Abadandaza bose bakora ubudandaji bwibidandazwa bikomoka ku burimyi bibora ningoga n'abadandaza ibijanye n'ubworozi (Ibitungwa binini, inkoko hamwe n'ibibikomokako) basabwa kwerekana ko ivyo bidandazwa vyabo vyagenzuwe kandi bikomeye igihe baba bashitse kumbibe.

Mu gihe abakora ubudandaji bw'ibikomoka ku bworozi basabwa kwerekana ivyemeza ko ibidandazwa vyabo ari bikomeye, ivyo bisabwa mugabo birashobora kudasabwa ku bakora ubudandaji bw'ibikomoka ku burimyi bagengwa n'amategeko yorosha ubudandaji yo mu muryango wa Afrika y'ubuseruko.

Abadandaza bategerezwa kumenya neza ibisabwa kuri rubibe rumwe rumwe baba bakorrako ku mvo zikurikira:
1. ukudasabwa ibiranga ibidandazwa bishobora kutaba kumbibe zose kandi.
2. ingingo zo kumbibe kanaka zishobora guhinduka umwanya uwariwo wose.

Aha naho berekana ingene abadandaza batobato, n'ukuvuga abakoresha umutahe ungana canke uri musi y'amadorare yabanyamerika ibihumbi bibiri (2000 USD) boroherezwa n'amategeko mashasha agenga UMURYANGO WA AFRIKA Y'UBUSEUKO ndetse hakaba hari n'impapuro badasabwa mugihe abakoresha umutahe uri hejuru yayo bakurikiza amategeko asanzwe agenga ubudandaji muri Afrika y'ubuseruko.

Angana canke ari minsi y'amadorari 2000?

Angana cyangwa munsi y'amadorari 2000

Hejuru ya 2000 y'amadorari y'Amerika?

Incamake y'igisata c'uburuzi

Amategeko agenga ibicuruzwa vyinjira ni bisohoka

-Intambuko zanditswe.
-Impapuro zitunganijwe n'ibiro bijejwe ivy'amatagisi ku mupaka canke ibiro bijejwe kumenyesha amakuru

-Bikozwe mu buryo bw'ikoranabuhanga
-Kuronka umukozi w'amashirahamwe agasha ivyerekeye ibisabwa vyose ku mupaka.

Munsi murabona impapuro zisabwa

Impapuro zisabwa

Impapuro zisabwa	Amategeko yorohereza abadandazai	Ingingo zisanzwe zigenga ubudandaji
Uruhusha rwo gushorera hanze (rutangwa n'igihugu ibicuruzwa bikomokamwo)	Ntirusabwa ku bicuruzwa bikomoka ku burimyi	X
Igitansi (gitangwa n'igihugu ibidandazwa bikomokamwo)	X	X
Urupapuro rwerekana iyo ibidandazwa vyahinguriwe	X	X
Urupapuro rwemeza ko ibidandazwa bikurikije amategeko	Rushobora kusabwa	X
Urupapuro rwerekana ko ibidandazwa bikomeye	Rushobora kudasabwa ku bikomoka ku burimyi bibora ningoba	X
Uruhusha rwo kwinjiza ibidandazwa rutangwa hamaze gukorwa isuzumwa kwibidandazwa bikomeye neza	Rushobora kudasabwa ku bikomoka ku burimyi bibora ningoga	X
Uruhusha rudasanzwe rusabwa ku vyinjizwa mugihugu ca Tanzaniya		X
Urupapuro rwuzuzwa inyuma hyisuzumwa ry' imizigo	X	N/A
Urupapuro rutangwa ninzego zijejwe ubudandaji	N/A	X

1. Uruhusha go gushora ibidandazwa hanze
Amashirahamwe yabadandaza bizewe bipfuza gushorera ibidandazwa vyabo hanze basabwa kwiyandikisha mu bigo vy'igihugu bijejwe ubudandaji bwo hanze kandi bagasaba n'uruhusha rwo gushora hanze. Abadandaza batari murugo rwego rw'abadandazi bizewe nabo, ntibagengwa nayo mategeko.

2. Ibitansi
Abadandaza bipfuza gushorera hanze ibidandazwa canke kwinjiza ibidandazwa mu gihugu bategerezwa kwerekana agaciro canke ikiguzi c'ibikomoka ku burimyi bibora ningoga bafise. Ivyo bifasha: (1) gushira mu mirwi ibidandazwa bitegerezwa kworoherezwa no kwihutishwa hamwe

n'ibikurikiza amategeko asanzwe agenga ubudandaji muri rusangi; (2) guca babona amakori ibidandazwa bitegerezwa kuriha.

3. Urupapuro rwerekana inkomoko y'ibidandazwa

Urupapuro rwerekana aho ibidandazwa bikomoka (Certificat d'Origine) rwerekana neza kwibidandazwa biri kurugo rupapuro vyakorewe canke vyimburiwe mu gihugu catanze urwo rupapuro. Nimba nk'ibidandazwa vy'imboga bishowe vyimbuwe mu gihugu ca Kenya, Kenya niyo ica itanga urwo rupapuro rwemeza yuko izo mboga zarimiwe muri Kenya. Urupapuro rwerekana inkomoko y'ibidandazwa rutegerezwa kuba rugufi kandi rworoshe kwuzuza aho kuba rurerure. Urwo rupapuror ukenewe kubidandazwa bifise agaciro kangana canke kari munsi y'amadorare yabanyamerika 2000. Izo mpapuro zo kwuzuza zikaba zihabwa abadandaza ku buntu.

Ibidandazwa bitegerezwa guherekezwa n'urupapuro rwerekana aho bikomoka mu ntumbero yo kudatangishwa amakori mu gihe bishowe mu gihugu co muri Afrika y'ubuseruko. Mu gihe umudandaza avuze ko itomati zishowe mu Burundi zimbuwe muri Tanzaniya kandi adafise urupapuro ruvyerekana, ico gihe ararihishwa amakori kuri izo tomati zishowe mu Burundi.

Amategeko y'inkomoko

Kugirango ibidandazwa vyo mu muryango wa Afrika y'ubuseruko bishobore kwinjira mu gihugu bitarishe amakori bitegerezwa kuba birangwa n'ibi bikurikira bijanye n'inkomoko yavyo.

Ingingo ya 1: IIbidandazwa bitegerezwa kuba vyakorewe mu muryango wa Afrika y'ubuseruko ijana kw'ijana, ata gikoresho kibigize cavanywe hanze. Nk'akarorero ibiribwa bibisi, ibikomoka mu butaka, ibitungwa n'ibiva mu bitungwa, ibiva mu bworozi hamwe n'amafi.

Ingingo 2: IIbidandazwa vyahinguwe hifashishijwe ibikoresho vyavuye hanze biba vyahinduriwe isura bihagije ugereranije n'ibizwi muri afrika y'ubuseruko, nkuko bishingwa n'abatozakori hisunzwe amategeko agenga inkomoko y'ibidandazwa. Uburorero ku mategeko agenga inkomoko y'ibidandazwa.

Ingingo z'inkomoko – Ingero zimwe zimwe

Mu gihe uwuhingura ibidandazwa yinjije umutobe w'umucungwe bivuye hanze y'umuryanbgo wa Afrika y'ubuseruko akabizana muri Kenya, akongeramwo isukari, akawugana hama akayishora mu Burundi, uwo mutobe wongewemwo isukari ntufatwa nk'igidandazwa cakorewe mu muryango wa Afrika y'ubuseruko. Ukwongera isukari mu mutobe no kuwugana muri Kenya

vyonyene ntibikwiye ngo uwo mutobe ufatwe nk'ikidandazwa cakorewe muri Kenya. Uwo mutobe uzorihishwa ibijanye n'amakori vyose mu gihe ushowe mu Burundi.

Ku rundi ruhande, mu gihe umuhinguzi w'umutobe wo muri Kenya akoze umutobe mu micungwe yimbuwe muri Kenya, hanyuma agaca agurira hanze y'UMURYANGO WA AFRIKA Y'UBUSEUKO ibindi bintu vyo guhindura ibara ry'umutobe, ivyo kuwugana hanyuma akawushorera mu Burundi, bivanye n'inkomoko y'imicungwe n'uburyo umutobe wahinguwe bikorewe muri Kenya, uwo mutobe w'umucungwe uzofatwa nk'ikidandazwa gikomoka muri Kenya, kandi ntikizoba kirabwa n'ibijanye n'amakori mu gihe gishowe mu Burund.

Ahatangirwa impapuro zerekana inkomoko y'ibidandazwa
Impapuro zishobora gutangirwa ku biro bijejwe gutoza amakori, mwihuriro ry'abadandaza, (Chambre fédérale de commerce), ibiro bitanga amakuru ajanye n'ubudandaji kumbibe canke hamwe hamwe aho ibiro bitoza amakori vyabitangiye uburenganzira, ku biro vy'ishirahamwe ry'abakenyezi bajejwe urudandazwa njabukambibe.

Igihugu	Ibiro vyo ku mupaka	Igiciro ca SCOO
Burundi	Ikigo kijejwe kwegeranya amakori c'Uburundi	Ntirurihwa
Kenya	Ikigo cegeranya amakori ca Kenya	Ntirurihwa
Rwanda	Ikigo c'Urwanda kijejwe kwegeranya amakori	Ntirurihwa
Tanzaniya	Ikigo kijejwe gutoza amakori ca Tanzaniya kibicishije mu mashirahamwe agenzura amakori	Ntirurihwa
Uganda	Ikigo ca Uganda kijejwe kwegeranya amakori hamwe n'ibiro bijejwe gutanga amakuru vya COMESA	Ntirurihwa
Sudani Yepfo	Igihe co kwandika aka gatabo nta kigo cari kihari	N/A

Naho ata mafaranga arihwa kugira ngo umudandaza aronswe urupapuro rwerekana inkomoko y'ibidandazwa, ibiro vyo kumbibe bishobora kurihisha umudandaza mu kurumwuzuriza. Urwo rupapuro rutangwa igihe cose habaye kurungika ibidandazwa kandi rugakoreshwa rimwe gusa. Urupapuro rwerekana inkomoko y'ibidandazwa rwakirwa kandi rugasuzumwa n'ibiro bijejwe gutoza

amakori mu gihugu ibidandazwa vyimburiwemwo ari naco gihugu kiba gishoye ivyo bidandazwa.

Akarorero kurupapuro rwerekana inkomoko y'ibidandazwa mu muryango wa Afrika Y'Ubuseruko SCOO

EAST AFRICAN COMMUNITY SIMPLIFIED CERTIFICATE OF ORIGIN

(For goods of a value not exceeding US $ 2000)

(Kwa bidhaa zenye dhamani isiyozidi US$ 2000)

1) Exporter (name, full address, country) *Msafirishaji (Jina na Anwani)*	Reference Number ..... *Kumb Na*	
2) Importer (Names & address) *Mwingizaji Bidhaa/ Jina na anuan yake)*	3)Country of Origin *Uthibitisho wa Uasili wa Bidhaa*	
4)Description of goods *(Maelezo ya Bidhaa)*	5)No. and type of packages *Namba na aina ya kifurushi*	6)Value *Thamani*
7)Declaration by Exporter/Importer *Tamko la Msafirishaji/Mzalishaji/Mgavi* I, the undersigned Mr/Mrs/Ms..... declare that the goods described above have been produced (country) .....in accordance with the EAC Rules of Origin. Signature..... *(Saini)* Place..... *(Mahali)* Date..... *(Tarehe)* Official stamp *(Muri)*	8)Customs Endorsement *(Uthibitisho wa Forodha)* I, the undersigned, hereby endorse the exporters' declaration and certify that the goods qualify under the EAC Rules of Origin. Signature..... ..... *(Saini)* Place..... *(Mahali)* Date..... *(Tarehe* Official stamp *(Muri)*	

4. Impapuro zerekana kw'ibidandazwa bikomeye

Hari ubwoko bwinshi bw'impapuro zerekana kw'ibidandazwa bikomeye.

4.1 Urupapuro rwemeza kw'ibidandazwa bikomeye

Urwo rupapuro rwemeza ko ibidandazwa bikomeye rutangwa n'ikigo c'igihugu kijejwe kugenzura ibidandazwa bishorwa hanze y'igihugu. Urwo rupapuro rwemeza kw'ibidandazwa bishowe hanze vyapimwe kandi bikwije ibisabwa n'ikigo c'igihugu kijejwe kugenzurwa ibidandazwa, kandi rukemeza ko ibidandazwa ari vyiza ata ngaruka n'imwe vyogira ku magara yabantu babifunguye. Inyama zihinguwe zigafunikwa, ibikomoka mu nyama n'amata bitegerezwa kugengwa n'aya mategeko. Aha ibi bisabwa ntivyokwigera vyirengagizwa na rimwe.

Ibiro vy'igihugu bijejwe igenzurwa ry'ibidandazwa biri kumbibe zihurirwako n'ibihugu vy' Afrika y'ubuseruko bifise amasuzumiro yifashisha ubuhinga mu gupima kw'ibidandazwa bimeze neza. Ariko kumbibe zimwe zimwe zidafise amasuzumiro akoresha ubuhinga, baraheza bagatora agace gatoya kibidandazwa bakakarungika ku biro vy'igihugu bishobora gusuzuma hifashishijwe ubuhinga ariko akenshi ivyo biratevya abadandaza kuko inyishu iboneka itevye.

Igihugu	Ibiro	Amafaranga yishurwa
Burundi	Ibiro vy'Uburundi bijejwe kugenzura ubuziranenge BBN	Amafaranga arihishwa bivanye nikidandazwa canke nibiro bijejwe igenzura
Kenya	Ibiro vya Kenya bijejwe kugenzura ubuziranenge KBS	
Rwanda	Ibiro vy'Urwanda bijejwe kugenzura ubuziranenge RSB	
Tanzaniya	Ibiro vya Tanzaniya bijejwe kugenzura ubuziranenge TBS	
Uganda	Ibiro vy'Ubuganda bijejwe kugenzura ubuziranenge UBS	
Sudani Yepfo	Ibiro vya Sudani yepfo vyo gusuzuma ubuziranenge	

4.2 Urupapuro rwemeza kw'ibifungurwa bikomeye

Urupapuro rwemeza kw'ibiribwa bikomeye ruba rwerekana kw'ibidandazwa bikomoka ku vyimburwa (imboga, imbuto, ivyamwa) biri kuri urwo rupapuro ata ngaruka mbi bifise. Ivyo umugenduzi yitondera cane nibi bikurikira:
(a) kuraba neza kwigitekewemwo ibidandazwa gikwije ubuziranenge
(b) kuraba neza kwata dukoko dutera ingwara gifise. Abadandaza bagengwa naya mategeko yorosha ubudandaji yo mu muryango wa AFRIKA Y'UBUSERUKO ntibasabwa kuba bafise urwo rupapuro rwerekana kw'ibifungurwa bikomeye.

Ariko ibidandazwa bashora hanze biragirirwa igenzurwa ryo kuraba ko bikomeye bigakorwa n'umugenduzi yemewe na Reta.

Urwo rupapuro rushobora gutangwa n'ibigo vy'amashirahamwe tugiye kubereka ngaha munsi biri mu bihugu vyose bigize akarere. Murasangamwo kandi n'ibiguzi vyarwo ku gihugu kimwe kimwe co kuva mu kwezi kwa Nyakanga umwaka w'2021.

Igihugu	Ikigo kibijejwe	Ikiguzi
Burundi	Ikigo kijejwe gukingira ibiterwa (Ubushikiranganji bujejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi)	
Kenya	Ikigo co muri Kenya kijejwe kugenzura ibiterwa (KEPHIS)	Amashiringi 1,000 (Birahinduka)
Rwanda	Umurwi ujejwe igenzurwa (MINAGRI)	2,000 Frw
Tanzaniya	Umurwi ujejwe kugenzura ibifungurwa (ubushikiranganji bw'uburimyi)	Amashiringi 35,700
Uganda	Ikigo kijejwe igenzurwa ry'ibiterwa (ubushikiranganji bw'uburimyi	5,000 UGX (Gusaba) 20,000 UGX (Kugenzura)
Sudani Yepfo		

4.3 Urupapuro rwemeza ko ibitungwa bitagwaye

Urupapuro rwerekana kw'ibitungwa bitagwaye rutangwa n'ikigo c'igihugu kijejwe amagara y'ibitungwa canke ubushikiranganji bujejwe ubworozi.
Ibitungwa vyose vyinjijwe mu gihugu bikomeye bitegerezwa kuba bifise urwo rupapuro

4.4 Uruhusha rwo kwinjiza ibidandazwa

Uruhusha rwo kwijiza ibicuruzwa mu gihugu rutangwa n'ikigo ca leta kibijejwe, rwemeza yuko ibicuruzwa bigaragara ku rupapuro bikwije ibisabwa kandi ari bizima ata ngaruka mbi ku muntu abifunguye.Urwo ruhusha rutangwa ku bicuruzwa canke ibitungwa vyakorewe igenzurwa n'inzego zibijejwe zose. Nk'akarorero muri Tanzaniya, ibiribwa vyose vyinjizwa mu gihugu bitegerezwa kuba vyemejwe ko ata bumara bwica burimwo.

Abadandaza ibikomoka ku burimyi bibora ningoga baroroherezwa n'amategeko agenga ubudandaji yo mu muryango wa AFRIKA Y'UBUSERUKO, bashobora kutakwa urwo rupapuro. Yamara abinjiza ibikomoka ku burimyi, ibicuruzwa vyabo biragenzurwa n'ikigo kijejwe gutoza amakori co mu gihugu baba bavyinjijemwo.

Uruhusha rwo kwinjiza ibidandazwa rushobora gutangirwa mu bigo bitandukanye vy'ibihugu bigize umuryango wa Afrika y'ubuseruko bikurikira. Ibiciro vyavyo vyo kuva mu kwezi kwa Nyakanga umwaka w'2021 navyo nyene turabisangamwo.

Igihugu	Ikigo kibijejwe	Ikiguzi
Burundi		
Kenya	Ikigo kigenzura ibiterwa	Amashiringi 1400
Rwanda	Umurwi ujejwe kugenzura ubuziranenge bw'ibidandazwa	Ntirurihwa
Tanzania	Ikigo kijejwe kugenzura ibifungurwa	Amashiringi 11,592
Uganda	Ubushikiranganji bw'uburimyi n'ubworozi	5000UGX (Gusaba) 20,000UGX (Kugenzura)
Sudan Yepfo		

4.5 Icemeza kw'ibidandazwa bitarimwo ubumara

Urupapuro rwemeza kw'ibidandazwa bitarimwo, ubumara rurasabwa kubifungurwa vyose vynjizwa muri Tanzaniya. Rutangwa na komisiyo ya Tanzaniya ijejwe ivy'inguvu za atomike.

Ibigo bikuru bikuru vy'ibihugu bijejwe kugenzura kw'ibifungurwa, ibitungwa n'abantu bimeze neza

(Source: A Simplified Guide for Micro and Small Scale Women Cross Border Traders and Service Providers within the East African Community)

Igihugu	Ibigo bikuru bikuru
Burundi	• Ikigo kijejwe gukingira ibiterwa co mu bushikiranganji bw'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi: ku kwinjiza ibiterwa n'ibinyantete, imbuto, ibitungwa n'amafi • Ikigo kijejwe kugenzura ubuziranenge- Ku bifungurwa vyahinguwe, imiti n'ibindi bidandazwa bihingurwa
Kenya	• Ikigo kigenzura ubuzima bw'ibiterwa co mu bushikiranganji bw'uburimyi- ku kwinjiza imbuto, intete n'ibiterwa • Ibiro vya Kenya bijejwe ubuziranenge : ku bifungurwa vyinjizwa vyahinguwe, imiti n'ibidandazwa bindi vyahinguwe • Ikigo kiraba ivy'amafi co mu bushikiranganji bujejwe amafi : Ku kwinjiza amafi • Ikigo kijejwe kuvura ibitungwa co mu bushikiranganji bujejwe guteza imbere ubworozi: Ku bijanye n'ibitungwa n'ibindi bikoko • Ikigo kiraba ubuziranenge bw'ibifungurwa mu bushikiranganji bw'amagara y'abantu: ku kwinjiza ibinyantete, ibifungurwa vyahinguwe hamwe n'imiti

Rwanda	• Ubushikiranganji bujejwe uburimyi n'ubworozi: Ku binjiza imbuto, intete, ibiterwa, ibitungwa n'ibindi bikoko • Ubushikiranganji bw'amagara y'abantu : Ku binjiza ibifungurwa bihinguwe n'imiti • Ikigo kijejwe igenzurwa ry'ibidandazwa- Ku binjiza ibifungurwa bihinguwe, imiti n'ibindi bidandazwa bihinguwe
Tanzaniya	• Ikigo kijwejwe Imiti n'ibikoresho vyo kwa muganga muri Tanzaniya (TMDA) : Ku binjiza ibifungurwa bihinguwe, intete n'imiti • Ikigo c'igihugu kigenzura ibidndazwa : Ku binjiza ibifungurwa bihinguwe, imiti n'ibindi bidandazwa bihinguwe • Ikigo kijejwe inguvu za atomike : ku bifungurwa vyose bihinguwe vyinjizwa muri Tanzaniya bitegerezwa gukorerwa igenzurwa nico kigo • Igisata kijejwe amafi gikukira ubushikiranganji bujejwe iterambere ry'ubworozi n'amafi : ku binjiza amafi • Ministeri y'ubuhinzi: Ku binjiza ibifungurwa bihinguwe n'intete • Ikigo kijwejwe amagara n'imiti y'ibiterwa muri Tanzaniya (TPHA): kubinjiza imbuto n'ibiterwa • Ikigo kijejwe ubuvuzi bw'ibitungwa co mu bushiranganji bw'ubworozi n'amafi kubinjiza ibitungwa n'ibindi bikoko.
Uganda	• Ubushikiranganji bw'amagara y'abantu : Ku binjiza ibifungurwa bihinguwe n'imiti • Ubushikiranganji bw'uburimyi n'ubworozi n'amafi : kubinjiza intete, ibiterwa, imbuto, amafi, ibitungwa n'ibindi bikoko • Ikigo kijejwe kugenzura ibidandazwa ko bimeze neza : Kubinjiza ibifungurwa bihinguye, imiti n'ibindi bidandazwa bihinguwe

5. Urupapuro rw'isuzumwa ry'imizigo

Kumbibe zimwe zimwe zo mu Muryango wa Afrika y'ubuseruko (ak: Busia na Malaba Uganda), abinjiza ibidandazwa bagengwa n'amategeko yorosha urudandaza yo mu Muryango wa Afrika y'ubuseruko bashobora kwerekana ivyo binjije bikomoka mu burimyi nk'ibidandazwa vyabo bidategerezwa kwinjira mu murwi w'ibirihishwa amakori kugira bijabuke urubibe. Murico gihe abadandaza ntibarinda gukenera uwurihisha amakori. Ahubw,, impapuro zisabwa zishobora kwuzuzwa n'umukozi ajejwe gutoza amakori canke umukozi wo mu biro bijejwe amakuru y'ubudandaji abishoboye.

Sample Baggage Assessment Form



6. Urupapuro rumwe rwikwije

Abadandaza bakora bakurikije amategeko asanzwe agenga ubudandaji muri rusangi mu muryango wa Afrika y'Ubuseruko, basabwa gukorana n'amashirahamwe asanwe ajejwe korohereza abinjiza ibidandazwa (Agence en douane) akamwuzuriza urwo rupapuro rumwe rwemerewe.

Urwo rupapuro rumwe rwikwije ruba rufise ibintu vyose bisabwa mu kwinjiza ibidandazwa. Urwo rupapuro rurakoreshwa kumbibe zibiri zikorera mu kibanza kimwe (OSBPs).

Akarorero Umuryango wa Afrika y'ubuseruko

EAST AFRICAN COMMUNITY — **C.17 B CUSTOMS** Page 1 of .....

SINGLE ADMINISTRATIVE DOCUMENT (SAD) - SIMBA

1 Exporter /Consignor	TIN/PIN	2. Processing Office	3. Frontier office	4. Regime code
		5. Voyage/Flight/Vehicle No.	6. Date of arrival/departure.	**FOR OFFICIAL USE** Entry Number and Date
		7. Manifest Number	8. AWB/BL/RCN No.	9. Country of Consignment
10. Importer / Consignee	TIN/PIN	11.Ctry of last Consign / 1st Dest.	12.Country of final Destination	13..Port of Destination
		14. Place of discharge/Loading	15.Mode of transport	16. Nationality of Transport
		17.Vehicle owner/Driver	18. Seal Number(s)	19.Country of Transit
		20.Total Number of Items	21.Total Packages	22.Total Gross Weight
23. Declarant / Agent	TIN/PIN	24. Location of Goods	25. Warehouse code	26. Period in W/hse/Transit
		27.Valuation method	28. Total F.O.B Value	29.Terms of Delivery
		30.Terms of Payment	31. Account Number .	32.Bank / Branch Reference
Declarant Ref. No.		33. Bond Security Number	34. Bond/Cash Amount	35. Total Freight
36. Total Insurance	37. Total Other Charges	38. Total Customs Value	39. Other information	

Item 01	40. (a) Shipping Marks & Nos./Container Nos.		(c) Commodity code	(d) C.P.C	(e) Gross Weight	(f) Net Weight
	(b) Goods Description		(g) 1st Supp. Qty.	(h) Units 1st Supp Qty	(i) 2nd Supp. Qty.	(j) Units 2nd Supp Qty
			(k) Type of packaging	(l) No. Packages	(m) Country of Origin	(n) Preference code
	(o) License Number	(p) License Value / Qty	(q) Value/Qty Deducted	(r) FOB Value	(s) Freight	(t) Insurance
	(u) Other Charges	(v) Currency Code	(w) Exchange Rate	(x) CIF Value	(y) Customs Value	

41. REVENUE INFORMATION				43. Attached documents		44. Preceding Documents Ref.
(aa) Tax Type	(bb) Tax Base. / Value	(cc) Rate	(dd) Tax Due	45a. Code	45b. Number	
I						
Ii						
Iii						
Iv						
V				(ee) Total Tax due on this item		

46. SUMMARY TOTALS	i	ii	iii	iv	v	47. Other Charges	
						47a. Code	47b. Amount
This Page							
Other Pages							
Totals							

48. Grand Totals (Duties, Taxes and Other charges)	**FOR OFFICIAL USE** PROPER OFFICER	CASH /CHEQUE
49. Declaration I/We ……the undersigned of. …… (Company name) Being the Agent/Principal of. …….. (Importer/Exporter) do hereby declare that the information and particulars declared herein are true and complete. Signature and Stamp…….. Place…….. Tel/Fax……		Amount Paid …… Receipt Number and Date …… Cashier's Signature and Stamp ……

4

INTAMBWE ZIJANYE N'URUDANDAZWA MUMURYANGO WA AFRIKA Y'UBUSERUKO

MU RUDANDAZWA RUGENGWA N'AMATEGEKO YOROSHA UBUDANDAJI (STR) AHO BARIHIRA AMAKORI MU KIBANZA IMBIBE ZIBIRI ZIHURIRAKO (OSBPs)

Umudandaza amaze gushika ku rubibe aharikibanza kimwe imbibe zibiri zihurira (OSBPs) intambwe zikurikira zirakurikizwa mu gushora ibidandazwa bibisi uva mu gihugu winjira mu kindi mu muryango wa Afrika y'ubuseruko:



ANISHA
KUGIRA
IATAGISI



kigo
makori
mezo
a
kurihwa.

4.

5.

Umudandaza arariha amafaranga akenewe kuri Banki.

KWISHYURA AMAFARANGA KURI BANKI

KWEREKANA IGITASI

Umudandaza arerekana icemeza ko yarishe kuri banki ku mukozi w'ikigo kijejwe ivy'amakori.

6.

7.

Ibidandazwa birashikirizwa nyenevyo.

KUREKURA IBICURUZWA

Amategeko yorohereza abadandaza mu bibanza bibiri vyo kurihirako bitandukanye biri kumbibe

Kumbibe zidafise ikibanza kimwe co kurihirako gihuriweko nimbibe zibiri, igenzurwa rikorwa kumpande zose zimbibe kubidandazwa, kumamamodoka hamwe n'abantu.

Mu gihugu gishorerwamwo

1. Umudandaza ashikira ku nzu (hangar) ikorerwamwo igenzurwa yo mu gihugu gishorerwamwo ibidandazwa.

IGIHE CO GUSHIKA

KWEREKANA URUPAPURO RWEMEZA KO IBINTU VYAGUZWA

2. Umudandaza yerekana igitansi n'urutonde rw'ibidandazwa ku wujejwe amakori.

KUGERERENYA AGACIRO

3. Uwujejwe amakori aragira umwihwezo maze akagena igiciro c'amafaranga ibidandazwa birihishwa.

GUSUZUMA IBICURUZ

Uwujejwe ama araraba ko ibidandazwa b rutonge rw'ivyemerew kudandazwa.

NEZA
WA

akorii
iri ku
e 4.

5.
Uwujejwe amakori aca yuzuza urupapuro rwerekana inkomoko y'ibidandazwa.

KUZUZA ICYANGOMBWA CYOROHEJE CY'INKOMOKO

KWEREKANA ICANGOMBWA CERKANA 'INKOMOKO Y'IBICURUZWA

Umudandaza aratanga urukaratasi rwerekana amakori yarishe hamwe n'urwerekana inkomoko y'ibidandazwa ku mugenduzi araba ko ibidandazwa bikomeye kandi kwata ngaruka mbi vyogira kuwuzobifungura. 6.

7.
Uwo mugenduzi arasuzuma ivyo bidandazwa hanyuma agatanga icemeza ko bikwije ibisabwa.

KUGENZURA KO IBICURUZWA ARI BIZIMA, KO ATA NGARUKA BIGIRA KUWUBIFUNGUYE

8.

Umudandaza aca atanga ico cemeza kw'ibidandazwa bikwije ibisabwa kuwujejwe gutoza amakori nawe akamuha urukaratasi rumwerekurira kujabuka urubibe.

GUHABWA URUPAPURO RWO GUSOHOKA

KUJABUKA UMUPAKA

Umudandaza arajabuka urubibe akinjira mu gihugu ashoreyemwo ibidandazwa vyiwe. 9.

Mu gihugu gishorewemwo ibidandazwa.

1. Umudandaza ashikira ku nzu nini (grand hangar) ikorerwamwo igenzurwa ryibidandazwa mu gihugu ashoreyemwo.

IGIHE CO GUSHIKA

KWEREKANA URUPAPURO RWEMEZA KO IBINTU VYAGUZW

2. umudandaza aca atanga igitansi c'ibidandazwa hamwe n'urupapuru rw'inkomoko yavyo kugira ngo bisuzumwe.

5.

Uwo mugenduzi nawe agaca asuzuma ivyo bidandazwa agatanga urupapuro rwemerera umudandaza kwinjiza ibidandazwa vyiwe hamwe n'urwemeza ko ivyo bidandazwa bikomeye ata ngaruka bifise kuwuzobifungura.

3.

Uwujejwe amakori arasuzuma izo mpapuro, agasuzuma ibidandazwa, akagereranya igiciro cavyo hanyuma agategura igitansi.

GUSUZUMA AGACIRO

KWEREKANA I CYANGOMBWA CYOROHEJE CY'INKOMOKO

ITANGWA RY'ICYEMEZO CYO GUTUMIZA IBICURUZWA MU MAHANGA

KWISHYU UF

Umudandaza aca atanga kuwugenzura ubuziranenge mu gihugu ashoreyemwo igitansi hamwe n'urupapuro rw'inkomoko y'ibidandazwa, hamwe n'urupapuro rumwemerera gushorera ibidanzwa hanze y'igihugu.

4.

Umudar amafara yasabw

URA UMUSORO
FATIRWA

ndaza aca ariha
nga yikori
e kuriha.

6.

7.

Umudandaza arerekana igitansi yarihiyeko ku wujejwe ivyamakori.

KWEREKANA URUPAPURO RUREKURA IBICURUZWA

GUHABWA URUPAPURO RWO GUSOHOKA

Uwujejwe ivyamakori aca amuha urupapuro rumwemerera gusohora ibidandazwa vyiwe muri ya nzu y'igenzurwa.

8.

9.

Umudandaza aratora ibidandazwa vyiwe akarengana urubibe yerekanye urupapuro rumwemerera kurengana.

KUJABUKA UMUPAKA

Hisunzwe amategeko yorohereza abandandaza yo mu karere, hari abadandaza bashobora kudasabwa izo mpapuro zose. Akarorero abadandaza bakoresha umutahe ungana namadorare yabanyamerika ashika canke ari musi yi 2000, ntibasabwa uruhusha rubemerera kwinjiza ibintu hamwe n'izindi mpapuro zisabwa abagira ubudandaji bwisununuye. Ariko ivyo ntibisigura kw'abagengwa n'amategeko yorohereza abadandaza mu Muryango wa Afrika y'Ubuseruko bemerewe kwinjiza canke gusohora ibidandazwa biva mu burimyi bibisi bitameze neza canke vyotera ingwara abobifungura.

Ibidandazwa biva mu burimyi bibisi vyose bitegerezwa kugenzurwa kandi bikaba bikwije ibisabwa kugirango ntibigirire ingaruka mbi uwubifunguye. Bivanye n'urudandazwa rutoruto rukorwa hisunzwe amategeko yorohereza abandandaza bo mu Muryango wa Afrika y'Ubuseruko canke urudandazwa rwisununuye, uruhusha rwo kwinjiza no gusohora ibidandazwa ntirwama rutangwa iminsi yose kurudandazwa rwose rukorwa hisunzwe amategeko yorohereza abadandaza yo Muryango wa Afrika y'Ubuseruko.

5

AMAKURU MAKURU MAKURU KU BIJANYE N'AMAKORI

Ishingwa ry'isoko rusangi ry'UMURYANGO WA AFRIKA Y'UBUSERUKO ryatumye ivyimburwa canke ibihingurirwa mu MUMURYANGO WA AFRIkA Y'UBUSERUKO bitarihishwa ikori ryo kwijira mu gihugu mu gihe bishorewe kw'isoko ryo muri uwo muryango.

Ariko rero, dutegerezwa gutahura kwivyo bidasigura yuko ibidandazwa atatagisi na rimwe birihishwa mu gihugu biba vyinjijwemwo. Hari amatagisi amwe amwe bitegerezwa kurihishwa bigeze mu gihugu.

Ivyo umudandaza ategerezwa kubahiriza n'amatagisi ariha mukwinjiza ibidandazwa vyiwe muri kimwe mu bihugu bigize umuryango.

- Amatagisi amwe amwe nka droits d'accises n'ikori ryinyongeragaciro (TVA) hamwe nayandi matagisi asanzwe arihwa mu gihugu. Ayo matagisi mu bisanzwe araheza akarihwa n'umuguzi kuburyo butaboneka.

- Amafaranga yitezwe kuzova mu vyimburwa bidahinguwe, ibibora ningoga ashobora gukurwako tagisi imbere yuko umudandaza agurisha.
- Ibihugu vyose bigize Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko kiretse Kenya biratangisha tagisi ku mafaranga yitezwe kuva mu bidandazwa vyinjijwe imbere yo kugurisha.

- Abadandaza bo mu Muryango wa Afrika y'Ubuseruko badandariza muri uwo muryango ivyimburwa bibora ningoga bikomoka mu Muryango w'Afrika y'Ubuseruko bategerezwa kutemera igihe basabwe kuriha amakori yo kwinjira kubidandazwa vyabo, droits d'accises canke TVA.

- Ariko abo badandaza bo mu Muryango wa Afrika y'Ubuseruko badandaza ivyimburwa bibora ningoga bashobora kuriha tagisi ku mafaranga yitezwe kuva mu bicuruzwa vyabo.

Igihe cose saba insiguro ku rutonde rw'amafaranga yose usabwa kuriha

Ivyiza vyo kugira numero ndangamudandaza
Abadandaza bafise inomero ndangamudandaza bashobora kwirihira bonyene amatagisi kuvyo badandaje ku bigo bibijejwe (Banki, telefone ngendanwa canke mashini zabigenewe) batiriwe baraca ku wundi muntu. Ikoreshwa ry'ubuhinga bwa none mu kuriha amatagisi biragabanya cane ibijanye no gusabwa ibiturire kandi bigafasha kukirwanya.

Abadandaza nk'abasanzwe bariha amatagisi mu gihugu binjizamwo ibidandazwa akenshi ntibarihishwa amatagisi ku mafaranga yitezwe kuva mu bidandazwa vyabo aho bavyinjirije, iyo bari basanzwe bariha neza amatagisi ku bigo vy'igihugu bibijejwe. Ico gifatwa nk'akarusho ko kuba ufise numero ndangamudandaza.

Vyongeye, abadandaza bafise inomero ndangamudandaza bakwije ibisabwa kugira bafatwe nk'abagwizatunga bizewe bararoherezwa mu bijanye no kuriha amakori kandi bagira inzitizi nke ku bigo vy'igihugu vyegeranya amakori namatagisi nkuko twabibonye hejuru.

Abadandaza badafise inomero ndangamudandaza bakwiye kwinjira mw'ishirahamwe (cooperative) ry'abakora urudandazwa ndengambibe rizwi (ryizewe) kugira ngo biborohere gukora urudandazwa bifashishije inomero ndangamudandaza ya cooperative gurtyo baronke akarusho nk'abandi bakora bafise inomero ndangamudandaza.

6

IMPAPURO Z'INZIRA ZISABWA

Iruhande yokuba ufise impapuro ziranga umudandaza zikwije amategeko, umudandaza arasabwa kuba afise impapuro z'inzira zisabwa mu gihe ajabuka imbibe ava mu gihugu aja mu kindi mu Muryango wa Afrika y'Ubuseruko.

Abantu baba hafi yurubibe nko ku birometero 10 uva ku rubibe baremerewe kujabuka urubibe ata mpapuro biriwe barasabwa. Ariko, abadandaza bo mu Muryango wa Afrika y'Ubuseruko baba mu gice kiri kure yurubibe kuburebure burenga ibirometero 10 bategerezwa kwibangikanya impapuro z'inzira kuko barazisabwa.

Impapuro z'inzira zisabwa mu Muryango wa Afrika y'Ubuseruko

Igihugu	Pasiporo	Ikarata karangamuntu	Uruhusha rwo gutembera hagati y'ibihugu	Visa	Urupapuro rwemeza ko udafise ingwara yo mubwoko bwa Fievre jaune	Ibipimo vya COVID
Burundi	X			X	X	X
Kenya	X	X	X	X	X	X
Rwanda	X	X	X	X	X	X
Tanzaniya	X			X	X	X
Uganda	X	X	X	X	X	X
Sudani Y'epfo	X			X	X	X

Abanyagihugu bo muri Kenya, Urwanda na Uganda bashobora gutembera mu gihugu kimwe muri vyo bakoresheje indangamuntu canke uruhusha rwo gutembera hagati y'ibihugu.

Uburundi, Kenya, Urwanda , Tanzaniya na Uganda baratanga Visa kubuntu kungenzi zikomoka mu MURYANGO WA AFRIKA Y'UBUSERUKO bipfuza kwinjira mu bihugu bigize umuryango. Guhera kw'igenekerezo rya 1 Gitugutu 2021, Sudani yepfo izohagarika kurihisha visa abakomoka mu MURYANGO WA AFRIkA Y'UBUSERUKO.

7

INGINGO NGENDERWAKO ZO KURWANYA COVID-19 ZISABWA N'ISHIRAHAMWE MPUZAMAKUNGU RIJEJWE AMAGARA Y'ABANTU OMS

Ikiza ca Covid-19 cagize ingaruka mbi ku baba kw'isi yose. Mu ntumbero yo gukingira abanyagihugu ibihugu vyinshi vyashizeho ingingo zihagarika urudandawa. Uko inkuru zagiye ziraboneka avuga uko ikiza gihagaze mu bihugu ni nako ibihugu vyagiye biboneraho uko bifata ingingo zuko abanyagihugu boza barava mu kibanza barimwo baja mukindi n'ingene ibikorwa vy'urudandazwa vyosubira gutangura. Izo ngingo zikaba zigenda zirahindurwa bivanye nuko ikiza cifashe ku gihugu kimwe kimwe.

No mu karere ka Afrika y'Ubuseruko, ingingo zitari nke zarafashwe. Ariko zisunze cane cane abadandaza bafise imitahe yisununuye canke amashirahamwe manini manini yabadandaza, bato bato batarimwo; Ivyo bikaba bigenda birahinduka bukebuke. Turavye ingene ingingo ziguma ziza zirahinduka, hariho igice cibanda ku ngingo z'ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivyamagara y'abantu OMS, izo ngingo zozo zikaba zidahinduka canke zikaba ari ntabanduka.

1. Gukaraba kenshi gashoboka,
2. Gukaraba kenshi neza kandi witonze ukoresheje umuti wica imyanda wabigenewe canke ukoresheje isabuni n'amazi.
3. Guhana intambwe hagati y'umuntu n'uwundi;

4. Gusiga nimiburiburi imetero imwe (intambwe 3) hagati yawe n'uwundi muntu wese akorora canke yasamura.
5. Kutaza urikora ku maso, kumazuru canke umunwa. Kubera iki? Intoke zikora ahantu henshi gurtyo zikaguma zizana imigera myinshi. Zimaze kwandura, zishobora guca zanduza amaso, amazuru ndetse n'umunwa.
6. Kwitwararika na ntaryo kugira isuku neza ibihimba vyihemero.
7. Kuraba neza wihereyeko hamwe n'abo mubana ko mwitwarararika neza gukingira neza ibihimba vyihumekero. Ibi bivuze gufuka umunwa n'amazuru mu kuzibira n'inkokora canke agatambara mu gihe co kwasamura canke co gukorora.
8. Mu gihe wumva ufise ubushuhe, inkorora canke uhema bigoranye, wihutire kuja kwivuriro rikwegereye;
9. Ugume muhira igihe wumva utameze neza. Ufise ubushuhe, inkorora canke uhema bigoranye, wihutire kuja kivuriro rikwegereye canke naho uhamagare muganga nimba bishoboka.

8

ABO WOKWITURA MUGIHE WOKENERA UWUGUFASHA

Hari ibibanza vyinshi umudandaza ashobora kuronkeramwo uwo mufasha mugihe ahuye ningorane ariko arajabuka urubibe.

Zimwe mu ngorane zishobora gushikira abadandaza batazi ibisabwa mu gukora urudandazwa mu muryango wa Afrika y'Ubuseruko. Nk'akarorero, umudandaza ashobora kugerageza gushora itomati zapompwe umuti wica udukoko ushobora kwica abantu bazifunguye. Murico gihe, uwujejwe igenzura riraba kw'ibidandazwa bimeze neza ntaheza ngo atangire uruhusha ivyo bidandazwa kubera kwabazobifungura vyobatera ingorane.

Akandi karorero, umudandaza ashobora kugerageza gushora mu Buganda umuceri uva muri Pakistan ariko yawuguze muri Tanzaniya. Murico gihe, kubera uwo muceri utarimwe mu karere k'Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko ariko ukaba ukomoka muri Pakistan, umudandaza ntashobora kuronka urupapuro rw'inkomoko rwemeza kuwo muceri uva muri Tanzaniya. Vyongeye, umudandaza azorihishwa ibijanye n'amatagisi hamwe namakori vyose bisabwa ku muceri ukomoka muri Pakistan, ushowe mu Buganda biciye muri Tanzaniya.

Izo ngorane zivuzwe hejuru hamwe nizindi zishobora kurwanywa mu gihe abadandaza bo mu karere k'Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko bashoboye kuronka vyoroshe amakuru ku bisabwa mu gukora urudandazwa mu karere.

Ibi ni bimwe mu bibanza umuntu yogana hamwe yoba afise icabaza:

1. Ibiro vya COMESA bijejwe gutanga amakuru: Ubisanga kumbibe zimwe zimwe z'ibihugu vya Afrika y'ubuseruko.
2. Ibigo vyo gufasha abadandaza bajabukimbibe: Bikorera mw'ishirahamwe ryo mu karere rijejwe gufasha no gushigikira iterambere ry'abakenyezi bo mu karere (EASSI)
3. Amashirahamwe y'abadandaza bakora urudandazwa njabukambibe canke amashirahamwe y"ibiro vyo kumbibe: Biri kumbibe zose.
4. Umurwi w'igihugu ujejwe gutorerumuti inzitizi zijanye nurudandazwa (comité national chargé d'élimination des barrieres non-tarifaires): n'umurwi abadandaza bashobora kwitura mukuwumenyesha ingorane canke inzitizi bagira murudandazwa rwabo bakoresheje ukurungika ubutumwa bugufi canke ubuhinga ngurukana bumenyi.

Ubuhinga bw'umurwi w'igihugu ujejwe gutorerumuti inzitizi zijanye nurudandazwa bushobora gukoreshwa mu kumenyesha vyihuta inzitizi abadandaza bagira ku bijanye n'ibi bikurikira:

i. Gupima imizigo (ponts bascules)
ii. Kugenzura ubuziranenge
iii. Ibiro bitangisha amakori (duwani)
iv. Ibijanye n'abasohoka n'abinjira (migration)
v. Amabariyeri yigi polisi yo mu ma barabara
vi. Kwandikisha abadandaza hamwe no gutanga impusha
vii. Igenzura ry'ibiterwa n'ibitungwa
viii. Ibijanye n'UMURYANGO WA AFRIKA Y'UBUSERUKO
ix. N'ibindi

Igihugu	Urubuga ucako mu kumenyesha ingorane
Kenya	https://ntbkenya.mUmuryango w'Africa y'Ubuseruko.go.ke/NTBKENYA/security/Signln.aspx
Rwanda	https://tradefacilitation.rw/ntbs/welcome/nc
Uganda	https://ntbtool.mtic.go.ug/register.php / canke ukoresheje ubutumwa bwo kuri telefone: #201

East African Community

Published by the East African Community (EAC) Secretariat,
EAC Headquarters, 3 EAC Close, P.O. Box 1096, Arusha, United Republic of Tanzania,
www.eac.int, by Brisk Solution Ltd.
November 2021

Text: Dorothy Tuma

Translations:
Dr. Elizabeth Godwin Mahenge (Kiswahili),
Dr. Amos Mwesigwa Kasule Ssekitto (Luganda),
Jules Kazungu (Kinyarwanda),
Onesime Niyukuri (Kirundi).

Illustration and layout: Semeyian Nassei

Supported by GIZ/EAC through GFA Consulting Group GmbH;
GIZ Programme 'Support to East African Market-Driven and People-Centred Integration',
EAC Headquarters, Arusha, United Republic of Tanzania
(www.giz.de; www.eacgermany.org),
on behalf of the Federal Ministry for Economic Cooperation and Development (BMZ), Germany